**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°31 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 22 KIGARAMA 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 22 Kigarama 2021, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 20 Kigarama 2021, abitumwe n'Umushikiranganji wa Mbere, yari yafatiriwe n'ayandi mabanga.

Ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amategeko yisungwa mu gutwara abantu n''ibintu hakoreshejwe ibarabara ry'indarayi,** yashikirijwe n'Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu.

Mu ntumbero yo kuduza ubutunzi bw'igihugu, Reta yarashizeho Umugambi w'Igihugu w'iterambere.

Ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi rizotuma hubakwa ivya nkenerwa biteza imbere ubutunzi, harimwo n'amahinguriro.

Mu nkingi ya mbere y'uwo mugambi w'igihugu, hategekanywa guteza imbere ibifasha mu gutwara abantu n'ibintu, kugirango Uburundi bugwize imihora kandi hubakwe n'amabarabara y'indarayi afatanya Uburundi n'ibihugu bibanyi.

Kugirango ivyo bishoboke, Uburundi butegerezwa gushiraho amategeko n'inzego bigenga ubwo buryo bwo gutwara abantu n'ibintu.

Akamaro ko gutwara abantu n'ibintu hakoreshejwe ibarabara ry'indarayi ni kanini cane ugereranije n'ubundi buryo busanzwe bukoreshwa.
Uburyo bw'indarayi butwara ibidandazwa vyinsi, burazimbutse, kandi amababara y'indarayi araramba, n'ibindi.

Uburundi bufise ubutare bwinshi bwa Nikere i Musongati, Waga na Nyabikere, arico gituma amashirahamwe menshi yipfuza kuza kubwimba ariko agahura n'ikibazo kijanye n'ingene ubwo butare bwoshikanwa ku masoko mpuzamakungu.

Reta y'Uburundi yaramaze kugiriranira amasezerano n'igihugu ca Tanzaniya be na Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo mu ntumbero yo kwubaka ibarabara ry'indarayi UVINZA-MUSONGATI-GITEGA-BUJUMBURA-UVIRA-KINDU.

No mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko baramaze kubona ko hakwiye gutezwa imbere ugutwara abantu n'ibintu hakoreshejwe ibarabara ry'indarayi.

Birakenewe rero ko Uburundi buronka amategeko n'inzego bihuye n'ibikenewe mu gihugu no mu karere ku bijanye no gutwara abantu n'ibintu hakoreshejwe ibarabara ry'indarayi.

Niyo ntumbero y'iyi nteguro y'ibwirizwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarabonye ko ikenewe cane ica isaba ko ibintu vyonyaruka, iryo bwirizwa rikajaho.

Ibindi vyasabwe ni ibi bikurikira :

- Gukora ibishoboka kugirango umugambi wo kwubaka ibarabara ry'indarayi UVINZA-MUSONGATI-GITEGA-BUJUMBURA-UVIRA-KINDU ushoboke kuko urahambaye ku Burundi ;
- Uburundi butegerezwa kwerekana ko buriko burashira inguvu muri uwo mugambi, harimwo gushiraho n'iri bwirizwa;
- Uburundi bwokwogera ku migenderanire myiza bufitaniye n'igihugu ca Tanzaniya ;
- Impapuro zahejeje gutegurwa ku bijanye n'uwo mugambi hagati y'Uburundi na Tanzaniya zoterwa ko umukono kugirango hagaragazwe ishaka ry'ivyo bihugu ryo kuwushira mu ngiro ;

- Abajejwe imigenderanire bokora ibishoboka mu kwereka igihugu ca Tanzaniya inyungu n'akarusho biri mu gucisha iryo barabara ry'indarayi mu Burundi ugereranije n'uko ryocishwa ahandi ;
- Uburundi, Tanzaniya na Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo vyoja hamwe mu gusaba uburyo Ibanki y'Iterambere ya Afrika bwo kwubaka ibarabara ry'indarayi UVINZA-MUSONGATI-GITEGA-BUJUMBURA-UVIRA-KINDU.

2. **Indinganizo y'imigambi Reta izorangura mu kiringo co kuva mu mwaka w'2022 gushika mu mwaka w'2025**, yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere

Mu ntumbero yo gutorera inyishu ibibazo vy'imibano n'ubutunzi, Reta y'Uburundi yarashizeho ivyisungwa bitari bike mu gutegekanya imigambi ya Reta canke iyifatwa mu mugongo n'abashigikira Uburundi mu bikorwa vy'iterambere. Aha twovuga Umugambi w'igihugu wiyaguye w'iterambere wo kuva mu 2018 gushika mu 2027, be n'indinganizo y'ibikorwa biza imbere y'ibindi kuva mu mwaka w'2018 gushika mu mwaka w'2022.

Iyo migambi rero ni icegeranyo c'iyashikirijwe n'ubushikiranganji bwose bwisunze ibiri muri uwo mugambi w'igihugu w'iterambere.

Iyo migambi iri mu mice ibiri :

- Iyiriko irashirwa mu ngiro kuko uburyo bumaze kuboneka canke bizwi neza ko buzoboneka,
- Iyikirondererwa uburyo canke iyikiri muvyiyumviro itarandikwa neza.

Kubera ivyo rero, ubushikiranganji bwose busabwa kwitunganya bugashira ku Rutonde ivyo buzorangura ku mwaka ku mwaka.

Ku bijanye n'imigambi yo ku mwaka w'2022 gushika 2023, hazisungwa iyi ndinganizo yo kuva mu 2022 gushika mu 2025, be n'ibitegekanywa kurangurwa mu bushikiranganji ku mwaka.

Uburyo bukenewe kuri iyo myaka itatu burenga gato imiliyaridi ibihumbi bitandatu n'amajana atanu na mirongo itanu na zitatu (6553) .

Ku bijanye n'ubwo buryo, mirongo ibiri na bine n'ibice mirongo icenda n'umunani kw'ijana  kw'ijana (24,98%) bizoronderwa aha mu gihugu, mirongo itatu n'ibice mirongo ine na bitatu kw'ijana (30,43%) bizova mu bafashanya n'Uburundi mu bikorwa vy'iterambre, mirongo ine na bine n'ibice mirongo itanu n'icenda kw'ijana (44,59%) navyo ni ivyo kuronderwa.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza urwo rutonde rw'imigambi, yararwemeje ica ishinga ibi bikurikira :

- Ubushikiranganji busabwa kuraba imigambi yose irangurirwa muri bwo ifise uburyo ikaja muyihuta ;
- Imigambi itararonka uburyo, iy'ivyigwa vyaheze canke naho yoba iriho ariko itarandikwa neza yoshirwa ku rutonde ;
- Ubushikiranganji bwokora ibishoboka kugirango imigambi yose iri ku rutonde rwo mu waka w'2022 ushira uwa 2023 ishobore kurangurwa ;
- Abafise uruhara muvy'iterambere bose bokora ibishoboka kugirango uburyo buboneke ari bwinshi;
- Imigambi irangurwa n'amashirahamwe ategamiye Reta nayo nyene yoshirwa mu rutonde ;
- Ni gutegura indinganizo y'ibikorwa birangurwa ku mwaka ku mwaka ;
- Gukora ibishoboka kugirango ibitaro vya Komine bibe bikwije ibisabwa;
- Ubushikiranganji bwokora ibishoboka vyose, ivyigwa vy'imigambi bikama biri ngaho, abipfuza gufasha mu bikorwa vy'iterambere bakaronka ico bakorerako;
- Ubushikiranganji bwogirana amanama n'abafasha mu migambi y'iterambere kugirango herekanwe neza umw'umwe wese ico afashamwo ;
- Ubushikiranganji bubona ko hari imigambi itashizwe ku rutonde kandi bwari bayishikirije canke bubona ko hari ivyokosorwa bwoba bwabishikirije umushikiranganji ajejwe gutunganya imigambi y'iterambere mu kiringo kitarenze indwi zibiri kugirango abifatireko mu guheraheza iki gitabu c'imigambi.

3. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n°1/04 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo rikongera rigatunganya igisirikare c'Uburundi,** yashikirijwe n'umushikiranji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Igisirikare c'Uburundi gitunganijwe n'ibwirizwa n°1/04 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017.

Iryo bwirizwa rirakeneye gusubirwamwo kugirango ritore inyishu ku bibazo bikurikira :

- Kwisunga ibwirizwa nshingiro ku bijanye n'uko Umukuru w'Igihugu bamwita Kizigenza w'Ingabo ;
- Gushira mw'ibwirizwa ingingo zerekeye ishirwaho ry'igisata gishinzwe kwigisha urwaruka gukunda igihugu no gufasha mu bikorwa vy'iterambere ;
- Gushiraho umurwi w'igisirikare ujejwe ibikorwa bidasanzwe;
- Gushiraho igisata kijejwe gukinga no guhangana n'ingwara z'ibiza .

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kwerekana tumwe tumwe twotosorwa.

4. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga umushahara w'abigisha b'abasirikare ba misi yose (permanents) n'agahembo k'abigisha b'abasirikare n'abatari abasirikare ba rimwe na rimwe (non permanents) muri kaminuza y'intwazangabo mu gisirikare**
5. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga ingene amahera arihwa mu mavuriro yakira abanyeshule bo mw'ishule ry'igisirikare ryigisha ivy'ubuvuzi bimenyereza, be n'abavuzi babakurikiranira hafi**
6. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga impembo y'abigisha batari abasirikare mw'ishule ry'igisirikare ryigisha imyuga, n'abagize umurwi ufata ingingo ya nyuma ku banyeshule baheza muri iryo shule**

Izo nteguro uko ari zitatu zashikirijwe n'umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Ishure kaminuza ry'intwazangabo rifise imigwi ibiri y'abigisha, ni ukuvuga abasanzwe ariwo murimo wa minsi yose muri iyo Kaminuza, n'abigisha b'abasirikare canke atari abasirikare baza gutanga ivyigwa bavuye ahandi.

Itegeko n°100/170 ryo ku wa 22 Munyonyo 2018 risubiramwo itunganywa ry'iryo shule mu ngingo yaryo ya 44 rivuga ko abigisha b'abasirikare basanzwe ariwo murimo wa minsi yose baronswa umushahara ushingwa n'itegeko.

Iyo ngingo ya 44 nyene ivuga ko abigisha baza gutanga ivyigwa bava ahandi baronswa agahembo n'akandi gashirukabute ku bikorwa vy'abanyeshule baheraheza amashule baba bakurikiraniye hafi, bishingwa n'itegeko ry'umushikiranganji wo kwivuna abansi n'uw'ikigega ca Reta babishikirijwe n'Umukuru w'igisirikare.

Kuva iryo tegeko rigiyeho, nta ngingo zo kurishira mu ngiro zigeze zijaho.

Iyi nteguro y'itegeko nshikiranganji ije rero gushira mu ngiro iryo tegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

Ku vyerekeye **integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga ingene amahera arihwa mu mavuriro yakira abanyeshule bo mw'ishule ry'igisirikare ryigisha ivy'ubuvuzi bimenyereza be n'abavuzi babakurikiranira hafi (EPMM)**, iryo shule ryashinzwe n'itegeko nshikiranganji n°520/1860 ryo ku wa 27 Munyonyo 2014.

Iryo shule rirazwi n'Ubushikiranganji bujejwe amagara y'abantu. Rikurikiza amategeko agenga amashule yisumbuye yigisha ivy'ubuvuzi be n'ibindi bisabwa n'amategeko.

Abanyeshule b'iryo shule bimenyerereza mu mavuriro, bagakurikiranwa nk'abandi banyeshule bose bo mu mashule yigisha ivy'ubuvuzi. Ayo mavuriro bimenyererezamwo co kimwe n'abakozi bayo babirekuriwe bararonka agahembo biciye mu buryo busanzwe bwo kumenyesha amahera iryo shule ribafitiye.

Ariko muri iki gihe, kubera umwitwarariko wo gukoresha neza amahera ya Reta, itangwa ry'ayo mahera ritegerezwa kuba ritegekanijwe n'itegeko.

Ivyo vyatumye itangwa ry'ayo mahera riba rirahagarikwa mu kurindira ko iryo tegeko rijaho, ivyo navyo bikaba bituma iryo shule ridasubira kubandanya rikora neza nk'uko ryahora.

Iyi nteguro ije rero mu ntumbero yo gushiraho iryo tegeko ryari ribuze, kugirango ayo mahera aze aratangwa hisunzwe amategeko, n'ishule risubire gukora neza.

Ku vyerekeye **integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga impembo y'abigisha atari abasirikare bakora mw'ishule ry'igisirikare ryigisha imyuga, n'abagize umurwi ufata ingingo ya nyuma ku banyeshule baheza muri iryo shule,** twomenyesha ko iryo shule ryemewe n'itegeko n°570/2108 ryo ku wa 21 Munyonyo 2016 ry'umushikiranganji ajejwe abakozi ba Reta n'akazi, rikaba rero ritegerezwa kwisunga ibisabwa n'amategeko agenga inyigisho z'imyuga.

Iryo shule ririkora ku bigisha n'abandi bahinga atari abasirikare bakaronka impembo biciye mu buryo bwari buhasanzwe bwo kumenyesha amahera iryo shule ribafitiye.

Ariko muri iki gihe**,** kubera umwitwarariko wo gukoresha neza amahera ya Reta, itangwa ry'iyo mpembo ritegerezwa kuba ritegekanijwe n'itegeko**.**
Ivyo vyatumye iyo mpembo iba irahagarikwa mu kurindira ko iryo tegeko rijaho, ivyo navyo bikaba bituma iryo shule ridasubira gukora neza nk'uko ryahora**.**

Iyi nteguro ije rero mu ntumbero yo gushiraho iryo tegeko ryari ribuze kugirango iyo mpembo ize iratangwa hisunzwe amategeko, n'ishule risubire gukora neza.

Inama nshikiranganji yari yarize izo nteguro uko ari zitatu, irazisubiza inyuma, itanze intumbero n'ivyiyumviro vyokwisungwa kugirango zihinyanyurwe neza.

Inama nshikiranganji yihweje izi nteguro zisubiwemwo yashikirijwe, yabonye ibi bikurikira:

- Hari ibitegekanywa n'izo nteguro vyogira ingaruka ku kigega ca Reta kuko vyotuma hakenerwa amahera Reta itategekanije mu buryo bwo gukoresha mu mwaka w'2021 ushira uwa 2022;
- Izo nteguro ntizoza gushira mu mategeko ivyahora bitangwa ataco vyisunga;
- Hari uturusho tumwe tumwe dutegekanywa, mu gihe twotangwa yoba ari inzira iciriwe abandi benshi kuko ntacotuma batadusaba ;
- Harimwo urugero rw'uturusho dutegekanywa turengeye udutangwa ahandi ;
- Ntikwoba ukuraba gusa ko amahera ahari, ahubwo itangwa ryayo ryokwisunga amategeko ahari.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino izo nteguro, yaramenyesheje ko igishirwa imbere ari ugukura ubusumbasumbasumbane bw'imishahara ku bakora ubuzi busa, be no kwisunga amategeko ahari. Yaciye isaba ko umushikiranganji w'ikigega ca Reta n'uwo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba bosubiramwo ibiharuro bagakuraho ubusumbasumbane bwoba bwibonekeza bakisunga amategeko, hanyuma bazishireko umukono.

Inama nshikiranganji yaciye isaba kandi ko boraba ntihagire abahembwa habiri.

7. **Integuro ishinga igitabu c'amategeko agenga akarangamutima k'abavuzi n'abandi bakozi bo kwa muganga,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwarya Sida

Uburenganzira mu bijanye no kwivuza buremezwa n'amabwirizwa mpuzamakungu be n'ay'igihugu.

Mu bikorwa ubushikiranganji bujejwe amagara y'abantu burangurira ku kibuga canke mu gukurikirana ingene ibikorwa biriko birarangurwa, haribonekeje ko hari ibikeneye gukosorwa ku bijanye n'ingene abitura ubuvuzi bakirwa n'ingene batunganirizwa, kuva bagishika kw'ivuriro gushika batahuke iwabo.

Utwo tunenge twibonekeza dutegerezwa kwandikwa mu mategeko abakozi bo kwa muganga bisunga, hagategekanywa n'ibihano ku waciye ku biri n'ayo mategeko.

Ico gitabu c'amategeko gifise akamaro kanini kuko cerekana :
- Ingingo zifasha kugirango abavuzi n'abakora kwa muganga batunganirize abantu neza
- Ibisabwa abitura ubuvuzi mu ntumbero yo kworohereza abavuzi n'abakora kwa muganga

- Ibihano bihabwa uwarenze kuvyo iki gitabu c’amategeko gitegekanya.

Mu gihe inama nshikiranganji yariko iraca hirya no hino iyi nteguro, hashikirijwe ibi bikurikira:

- Urwego rw’abaganga, mu bisanzwe rwabwirizwa guhanura, rusa n’uko rwasuburiye inzego za Reta mu bijanye no gukurikirana inyifato y’abaganga n’amakosa akorwa;
- Ntivyoroshe kumenya uruhara rw’umuganga mw’ikosa ryabaye kuko aho bakorera kenshi ntawinjirayo atari uwivuza;
- Iyo bikenewe kumenya uruhara ku makosa yakozwe, abahinga baba ari abaganga bagenzi b’uwukekwa kw’icaha, iyo nayo ikaba ari ingorane;
- Birakwiye ko mu gitabu mpanavyaha kiriko kirategurwa hotegekanywa ibihano ku baganga bakoze amakosa y’akazi;
- Umuganga arakwiye kwumva ko akazi bajejwe atari agasanzwe ahubwo ari ibanga ;
- Umuganga yarakwiye kwumva ko aho arungitswe gukora hose abwirizwa kujayo;
- Umuganga arakwiye kuza aratanga icegeranyo c’icyo yaranguye n’ibibazo yagize;
- Abipfuza kwigira ubuganga barakwiye kubanza kwigishwa akarangamutima kugirango biyemeze kuja mw’ibanga bazi neza kandi bakunda;
- Ikijanye na asiranse cokwihwezwa neza kuko ni ikintu kitoroshe;
- Ni kwihweza neza ko abavuzi n’abandi bakozi bo kwa muganga batogira amategeko yabo abagenga;
- Iyi nteguro yoba ibwirizwa aho kuba itegeko ry’Umukuru w’Igihugu

Inama nshikiranganji yaciye isaba ko iyi nteguro yogenda igahinyanyurwa neza hafatiwe kuri ivyo vyose vyashikirijwe, hanyuma ikazogarukanwa mu nama nshikiranganji.

8. **Integuro y’itegeko nshikiranganji risubiramwo itegeko nshikiranganji n°770/2148/CAB/2017 ryo ku wa 03 Gitugutu 2017 ritunganya ivyerekeye irangura hanze y’igihugu, n’idandazwa ry’ivyuka bimwe bimwe bitosekaza ikirere,** yashikirijwe n’umushikiranganji w’ibidukikije, uburimyi n’ubworozi.

Amasezerano y"i Montréal yashizweko umukono mu mwaka w'1987 n'ibihugu vyose kugirango ashire mu ngiro amasezerano ayakurira y'i Vienne yateweko umukono mu mwaka w'1985 yerekeye gukuraho bukeke ivyuka vyonona igisenge. Yasubiwemwo incuro zitanu kugirango ashirwe mu ngiro neza.

Mu ngingo zayo, ayo masezerano y'i Montréal avuga ko ibihugu bitegerezwa kugira akigoro kugirango ivyo vyuka bitosekaza igisenge bikoreshwe gusa hamwe ata kindi kihari cokoreshwa ariko kitonona ibidukikije.

Ivyo vyuka ayo masezerano avuga bikoreshwa mu vyuma bikanyisha no mu kubika ivyimburwa.

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro ayo masezerano, Uburundi bwarashizeho itegeko nshikiranganji n°770/2148/CAB/2017 ryo ku wa 03 Gitugutu 2017 ritunganya ivyerekeye irangura hanze y'igihugu n'idandazwa ry'ivyuka bimwe bimwe bitosekaza ikirere.

Ariko iryo tegeko rirafise utunenge dutuma Uburundi budashira mu ngiro neza ivyo bwiyemeje, natwo ni nk'utu dukurikira :

- Ntiryerekana ingene hasabwa urugero rurekuwe mu kurangura y'ivyo vyuka be n'ingene rutangwa;
- Ntiryerekana ingene icungerwa ry'ivyo vyuka rigenda kugirango bikurikiranwe neza ;
- Ntiryerekana ingene ivyo vyuka bitegerezwa gukoreshwa
- Iryo tegeko rirakeneye kujako imikono y'abashikiranganji batandukanye bafise uruhara mw'ishirwa mu ngiro ryaryo.

Iyi nteguro ije gukosora utwo utunenge.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora mu tuntu tumwe tumwe.

9. **Urwandiko rujanye n'ikibazo c'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na TOYOTA BURUNDI yerekeye ikibuga cahoze citwa « AFB »,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe inyubakwa, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Urwo rwandiko rumenyesha inama nshikiranganji aho ishirwa mu ngiro ry’amasezerano ari hagati ya Reta y’Uburundi n’ishirahamwe TOYOTA BURUNDI ryaguze ikibuga cahora citwa AFB kuva muri Ruhuhuma 2013 rigeze.

Nino kuraba icokorwa inyuma yaho iryo shirahamwe TOYOTA BURUNDI rigabishirijwe kubera ritubahirije ivyo ryiyemeje mu masezerano y’ubuguzi, be n’ivyo ryishuye kuri iryo gabishwa.

Nkako, vyarabonetse ko kuri iryo gabishwa, hishuye irindi shirahamwe atari TOYOTA BURUNDI yateye igikumu ku masezerano y’ubuguzi.

Inama nshikiranganji yari yarihweje ico kibazo kw’igenekerezo rya 07 Ndamukiza 2021 ikaba yari yashinze ibi bikurikira :

- Kumenyesha ishirahamwe ryishuye kw’ikete ryandikiwe ishirahamwe TOYOTA ka Reta itarizi ;
- Gusaba ishirahamwe TOYOTA BURUNDI kwishura kw’ikete ryandikiwe kuko mu masezerano ari ryo rizwi ;
- Mu gihe ishirahamwe TOYOTA ryokwerekana ishaka ryo gushira mu ngiro ivyo ryiyemeje, kuriha inkaratasi zose zikenewe ;
- Bibonetse ko TOYOTA ifise iryo shaka, hoterwa umukono ku yandi masezerano yiyongera ku ya mbere, ariko agatomora neza ko mu kiringo kitarenga amezi atatu ritegerezwa kuba ryatanguye ibikorwa, ritabikoze izindi ngingo zigafatwa ;
- Kwegeranya ivyemeza ko TOYOTA ryagerageje guca mu nzira zinyuranye n’amategeko ;
- Gukorana n’ubishikiranganji bw’ubutungane mu vyerekeye ico kibazo.

Inama nshikiranganji yihweje intambwe ico kibazo coba kigezeko, ifatiye kandi ku muco ukwiye yashikirijwe ku bijanye n’ihanahanwa ry’urupapuro ndangatongo, yasanze ishirahamwe TOYOTA ata shaka na rikeyi rifise ryo gushira mu ngiro ivyo ryiyemeje, ko ahubwo ahanini ryakoresheje ibisa n’ubusuma. Biraboneka ko mu kugura kirya kibanza, TOYOTA yari ifise izindi ntumbero. Yaciye ishinga ibi bikurikira :

- Kwegeranya ivyo vyose vyerekana ingene TOYOTA yakoresheje ibisa n’ubusuma haba mu kuronswa urupapuro ndangatongo canke mu kurushikiriza irindi shirahamwe ;
- Gufuta amasezerano y’ubuguzi bw’ico kibuga yari hagati ya Reta na TOYOTA, Reta isubire ku vyayo ;
- Kwerekana uruhombo TOYOTA yateje Reta ;
- Kuraba ko ico kibuga kikimeze nk’uko cari, igihe cagurishwa ;
- Guharura ivyo TOYOTA yivye Reta hanyuma ibirihe.

Haciye hashirwaho umugwi ugizwe n'uwuserukira Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu, abo mu bushiranganji bw'ubutungane, ubushikiranganji bujejwe inyubakwa n'ubujejwe amazi, kugirango uheraheze ico kibazo neza, kizogarukanwe mu nama nshikiranganji mu ntango z'ukwezi kwa Ruhuhuma 2022.

## 10. Utuntu n'utundi

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje ko igikorane c'igihugu kizotangura kw'igenekerezo rya 27 Kigarama 2021 kikarangira kw'igenekerezo rya 31 Kigarama 2021. Yaramenyesheje kandi umwiherero wa Reta uzoba ku magenekerezo ya 04 na 05 Nzero 2022, ukazokurikirwa n'akaruhuko k'abagize urwego nshingwabikorwa rwa Reta.

- Yarasavye abashikiranganji ko guhera mu mwaka ugiye gutangura bokwiga uburyo bushasha bwo kuba koko abakozi b'abenegihugu babatunganirize mu vyo babakeneyeko mu bisata bajejwe.

7. Yaramanyesheje ko mu mwaka ugiye gutangura ari kugerageza kumenya uburyo bwose bwinjira mu gihugu, kuko niho vyoroha no gutegekanya imigambi. Nico gituma hagiye kurangurwa umugambi wo gukoresha ubuhinga bwa none mu bijanye no kwegeranya amahera y'igihugu no kuyasohora. Ubushikiranganji bwose rero ni bwitegurire uwo mugambi wo gukoresha ubwo buhinga kuko Ibanki y'isi yose yaremeye kuwushigikira, kanatisinda ujanye n'intwaro ibereye.

8. Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yarangije yipfuriza abagize Reta Umunsi Mukuru mwiza wa Noheli.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 23 Kigarama 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE